Learning from home in case of school closures

Information for parents and carers

# Kwigira i muhira mu gihe amashuri yugaye

## Inkuru ku bavyeyi n'abarezi

Iyo ishuri umwana wawe yigako rikeneye kwugara, ishuri rizovugana n'imiryango biciye mu nzira zisanzwe bahora bavuganamwo (ukwo kuvugana gushobora guca ku buhinga ngurukanabumenyi, SMS, imbuga ngurukanabumenyi).

Iyo amashuri yugaye ikiringo kirekire kirengeye ico yahora yugara, ishuri rizobandanya ritanga ibikorwa vyo kwigirako rikabiha umwana wawe na we akabikorera i muhira kandi rizovugana na we ku vyerekeranye n'ukwiga kwabo.

Mu mashuri menshi ari mu gihugu cose abigisha basanzwe batanga ibikorwa vyo kwigisha no kwigirako bakoresheje ubuhinga bwo ku mirongo ngurukanabumenyi. Amashure amwamwe ashobora gushira bimwe canke ibikorwa vyose ku buhinga ngurukanabumenyi. Aho hashobora kubaho gukwirikirana ivyirwa ikibiriraho. Iyo wewe canke ishuri wigako ridafise ubwo buhinga ngurukanabumenyi bazokoresha ubundi buryo budasaba ubuhinga ngurukanabumenyi. Muri ubwo buryo hashobora kuba harimwo ukurungika ibikaratasi biriko ivyo gukora, ibitabo vyo gusoma canke USB zirimwo ivyo bategerezwa gukorerako hamwe na video i muhira aho umunyeshuri aba canke biciye ku gutumatumanako amakuru mu makete hakoreshejwe agasandugu ka posita.

Abarimu vyongeye bashobora kuvugana no gushikira abana biciye mu mirwi canke biciye mu guhamagarana umwe umwe kuri telephone.

Inkuru iri kuri uru rukaratasi izogufasha gutahura ingene ushobora gufasha umwana wawe akigira muhira harimwo:

- Uruhara rwawe- hariho ibintu uzotegerezwa gukora kugira ngo ushobore gufasha umwana wawe yigire i muhira nko gushiraho ivyo aba akwiriye kuba ariko arakora umwanya ku mwanya, kumuronderera ahantu hatekanye, hatagira urwamo hamwe no kumubaza ingene ukwiga kwiwe kuriko kurabandanya.
- Uruhara rw'umwana wawe- umwana wawe na we ategerezwa kuzokwirikirana urwo rutonde rwiwe maze agakora ibikorwa umwigisha amusaba gukora igihe bariko barakora neza uko bashoboye kwose.
- Ingene bashobora gutegura no gutunganya umusi wabo - ishuri ryawe ritegerezwa kuguha impanuro no kukwerekeza ku vyo umwana wawe ategerezwa kuba ariko arakora ku murango, kuri uwo musi.
- Kwitwararika no kuraba ko umwana amerewe neza mu magara, ko ata nkomanzi- uzotegerezwa kumenya no kuraba ko umwana wawe afise akaruhuko, ko anywa amazi kandi ko batarengerwa canke ngo bahagarike umutima.
- Guhanahana amakuru- bizoba ari ngirakamaro cane ko muvugana n'umwana wawe ku vyerekeranye n'ukwiga kwabo. Umwigisha w'umwana wawe canke ishuri umwana wawe yigako bazovugana na we maze bakubarire ingene mushobora gushikirana n'ingene mushobora kuvugana.
- Gukoresha ubuhinga bwa none hamwe no kugumiza amaso ku vyo aba ariko ararabirako - bizoba nkenerwa ko ucungera umwana wawe ingene akoresha ubuhinga bwa none mu mutekano kandi ugashiraho imipaka adashobora kurenga ku myanya amara ku murongo.

## Ibikorwa bisaba umusiguzi akura mu rurimi rumwe agashira mu rundi

Nimba ukeneye izindi nkuru zirenze izo tukubariye, usabwe guhamagara umuyobozi mukuru w'iryo shuri umwana wawe yigako. Igihe uzoba ukeneye umusobanuzi, kugira ngo agufashe ku vyo uzoba uriko urashaka kumenya usabwe guhamagara ku murongo wa 131 450 usaba ko baguha umusobanuzi avuga ururimi rwawe. Ico gikorwa ni ku buntu nta mahera kirihishwa kuri wewe.